REPUBLIQUE DU BURUNDI

MINISTERE DES RELATIONS EXTERIEURES
ET DE LA COOPERATION INTERNATIONALE

ITANGAZO

Ubushikiranganji bw'Imigenderanire n'ugufashanya kw'Uburundi n'ayandi makungu buri n'iteka ryo kumenyesha abarundi n'makungu ko bukurikiranira hafi amakuru avugwa yerekeye irungikwa ry'abarundikazi bagenda mu gihugu ca Arabiya Sawudite ku mvo zo kurondera akazi.

Ubushikiranganji buramenyesheje ko, kugira ngo ibivugwa ntibisubire kwibonekeza, ku mirimo nka mwene iyo yo gukora hanze, hategerezwa kuba amatohoza afatiye ku bimaze kuvugwa canke gushikira abantu bijanye no gufatwa nabi, guhohoterwa canke gufatwa ku nguvu ku bigeme n'abakenyezi bakora akazi ko mu mazu mu bihugu bagiyemwo, ivyo vyose bikaba binyuranye n'agateka ka zina muntu, bigaca kubiri n'amategeko agenga abakozi n'akazi.

Kubw'ivyo, Ubushikiranganji bw'Imigenderanire n'ugufashanya kw'Uburundi n'ayandi makungu buramenyesheje abaronderera akazi nk'ako abarundi n'abarundikazi, ko hategerezwa kubanza kuba amasezerano hagati y'Uburundi n'ibihugu bikeneye abakozi ; ayo masezerano agatomora neza ingene abo bakozi bagenda, uko bakora n'ingene babaho mu gihugu kiba cabakiriye.

Ubushikiranganji buramenyesheje ko bwamaze kwandika, kw'izina rya Reta y'Uburundi, ikete N°204.17/035/RE/2016 ryo ku wa 18 Ndamukiza 2016, bwarungikiye Ubushikiranganji bw'Imigenderanire bw'Igihugu ca Omani, busaba ko intumwa z'Uburundi zogenda muri Omani, canke intumwa za Omani zikaza mu Burundi, kugira izo ntumwa zigire hamwe ibigize imisi bivugwa, ko abarundikazi bakorera muri Omani bafashwe nabi, kandi ko agateka ka zina muntu katubahirijwe kuri abo barundikazi.

Ubwo Bushikiranganji, kw'izina rya Reta y'Uburundi, kubera bwipfuza ko ingorane nk'izo zitosubira, busavye abafise imigambi yo gutwara abarundi n'abarundikazi gukorera hanze, haba Arabiya Saudite canke ahandi, ko bobwegera bakabaza ko hari amasezerano yateweko igikumu hagati y'Uburundi n'ivyo bihugu, mu gisata co guhanahana abakozi.

Ubushikiranganji, kw'izina rya Reta y'Uburundi, busaba kandi abafise imigambi yo kuronderera akazi abarundi n'abarundikazi, ko bokwisunga na ntaryo amasezerano hagati y'Uburundi n'bindi bihugu yemejwe n'inzego zibijejwe.

Bigiriwe i Bujumbura, ku wa 21 Mutarama 2016.

REPUBLIQUE DU BURUNDI